REPUBLIQUE DU BURUNDI COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'UMUGWI(CVR) USHINZWE GUTOHOZA UKURI NO KUNYWANISHA ABARUNDI KU MUSI WO GUSHIKIRIZA ICEGERANYO C'IVYARANGUWE MU MWAKA WA 2022 IMBERE Y'ABAGIZE INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKEGUZAMATEKA

---

BUJUMBURA, KIGOBE, IGENEKEREZO RYA 18 NYAKANGA 2023

- *Nyeniteka Umukuru w'Inama NShingamateka,*
- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nshingamateka,*
- *Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa Bashingamateka mwese,*
- *Banyakubahwa Bakenguzamateka mwese,*
- *Banyakubahwa mwese mwitavye bino bikorwa umwumwe wese mu cubahiro Imana yamuhaye,*
- *Bahanuzi bakuru mushinzwe amabanga atandukanye mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka,*
- *Bashingantahe, Bapfasoni,*
- *Barundi mwese mwoba muriko mukurikirana ikibiriraho bino bikorwa vyo mu Ngoro y'Amakoraniro mu Kigobe,*

*Tugire amahoro!*

*Tugire ubumwe, ubutungane n'iterambere kuri bose!*

1. Kuri uno musi uri hejuru Umugwi ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi(CVR), uramutse ushikiriza abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkeguzamateka icegeranyo c'ivyo waranguye mu kiringo c'imyaka ine (2019-2022), ndi n'iteka

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

ntangere ryo kubaramutsa kw'izina ryanje no kw'izina ry'abo dusangiye ubutumwa.

Mbanje gushimira Imana yo yatuzigamye, ikaduha amagara, inguvu, ubwenge n'ubushishozi, kandi akaba ari nayo yadushoboje kurangura ubutumwa igihugu cadushinze. Iyo Mana yatubungabunze, akaba ari nayo yadushikanye kuri uno musi Nihezagirwe, Nihabwe icubahiro. Mumfashe tuyikomere amashi !

2. Twipfuza kandi gushimira abarongoye inzego z'igihugu bose. Baratwizigiye, baratugena muri aya mabanga yo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi. Baratubaye hafi muvyo twakoze vyose no mu ngorane twagiye turacamwo mw'irangurwa rya buno butumwa. Banyeniteka mwese, Banyakubahwa mwese, turabashimiye bimwe bivuye ku mutima.

3. Umugwi CVR ntiwari gushobora kugeza isemo aho riri uno musi iyo abagize ibisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu n'abenegihugu badasenyera ku mugozi umwe, maze umwe wese agafata ubutumwa nk'ubwiwe. Turabakengurukiye cane umwe umwe wese ku ruhara yagize ngo ibikorwa bigende neza.

4. Ku musi nk'uyu kandi, twagira tubanze twibuke abantu bose bahitanwe n'izinguzingu ry'ubwicanyi bwashikiye Abarundi ndetse n'ababa mu Burundi, kuva ku ntwaro z'abakoloni gushika ku ntwaro za Repubulika.

   Abo bantu bose bagandaguwe bishwe bazira urwanko, ishari, inzigo n'akagaye; abandi bahorwa ubwoko batihaye, bagapfa batagwaye; benshi mbere bagatabwa nk'inyamaswa mu binogo rusangi, mu nzuzi, mutuzu twasurwumwe; abandi bagasangukira ku misozi; uno musi turasubiye kubunamira.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

5. Umugwi CVR ni uyu musi uri ku kivi. Igishasha ni ikihe ? Ibikorwa bishasha twaraye dutanguye kurangura mu gihugu ni Rusansuma yerekeye abantu bagandaguwe n'abagiye mazi mayongo ; abantu bakingiye abandi mu bwicanyi butandukanye umugwi CVR umaze

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

kugirako amatohoza ; abantu bamaze gusaba ikigongwe abo biciye n'abantu bamaze gutanga ikigongwe. Iyo Runsasuma ndabamenyeshe imaze amayinga iba mu ntara ya Cankuzo, ya Rumonge na Bururi.
Ico twobamenyesha ni uko abanyagihugu bitaba kugira bandikishe ababo bagandaguwe ataco bazira! Iyo Rusansuma yerekeye abagandaguwe bibukwa kuva umwaka wa 1885 gushika umwaka wa 1973.

Uburyo twaronse uyu mwaka bwo gukora iyo Rusansuma buzodufasha gukorera muntara zitatu gusa. Turasavye inzego zitanga uburyo ko umugwi wohabwa uburyo bukwiye kugira Rusansuma itegurwe neza mu ntara zose z'igihugu zizoba zisigaye.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

6. Igihe uyu mugwi ndongoye warahira ubwa mbere hari muri Munyonyo 2018. Imyaka ine rero yararumanye; uyu musi umugwi CVR ushikiriza Abarundi icegerenyo c'imyaka ine (2018-2022). Ku Barundi bose, twashaka kumenyesha ko ari urugendo rudasanzwe rutuyagira ingene Abadagi, Ababiligi, Abamisiyonari, intwaro y'Ubwami n'Intwaro ya Repubulika ya mbere irongowe na Perezida Michel Micombero bigenjeje mu vyerekeye guhonyanga no gutoteza agateka ka zina muntu mu Burundi.

7. Nk'uko vyama bigenda mu ntango, Umugwi CVR urabereka ireresi rifasha abatowe n'abanyagihugu mbere n'Abarundi bose kubona iyo Uburundi buva n'amarira Abarundi batari bake baciyemwo. Iyo reresi iheze haca hakurikira ijambo nyezina rishikiriza icegeranyo c'ivyaranguwe n'umugwi CVR mu myaka ine iheze. Dusabe rero mu buhinga bw'ivyuma barungike iyo reresi itwigishe yongere itwibuze ivyazingamitse Uburundi bwacu.

Murakoze !

(UMWANYA W'IRERESI: IMINOTA 52)

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*
*Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nshingamateka,*
*Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka,*
*Banyakubahwa Bashingamateka mwese,*
*Banyakubahwa Bakenguzamateka mwese,*

8. Mu mwaka w'2021, Umugwi CVR warashikirije imbere y'abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka, icegeranyo cerekana ivyo wakuye mu matohoza yagizwe muri uyo mwaka wa 2021. Uno musi naho, uwo mugwi uramutse ubashikiriza ivyo wakoze mu kiringo cose c'imyaka ine iheze, kiva ku musi w'igenekerezo rya 3 Kigarama 2018 kigashika muri Kigarama 2022.

9. Nk'uko umugwi wari wabibashikirije namwe mukavyemeza mu mwaka igenekerezo rya 20 Kigarama 2021, n'uno musi ijambo ni ryarindi: « **Ihonyabwoko ryarakorewe Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu b'i Burundi mu mwaka w'1972-1973** ».

   Kuri uyu musi uri hejuru tuje kubereka, ingene ako kabi kabishe gafise imizi kure, kuva ku ntwaro z'imbere y'umuzo w'abanyamahanga; ariko cane cane vyarimonogoje ku ntwaro ya Repubulika ya mbere!

10. Umugwi CVR urerekana, wishimikije amatohoza wakoze, ko inzego zari zirongoye igihugu mu myaka ya 1960-1970, ariko cane cane muri iyo myaka ibiri ya 1972-1973, arizo zataye igihugu mu manga. Ni naco gituma, muri iki cegeranyo Umugwi CVR ushikirije uno musi, winjira mu vya kera, ivy'imbere ya 1972-1973, ukerekana ingene wasesanguye n'ivyo watoye ku biraba amakuba Uburundi bwaciyemwo mu 1971, mu 1969, mu 1965, mu 1964, mu 1962, no mu 1961.

    Umugwi CVR ntusiga inyuma ivyaha vy'agahomerabunwa vyakozwe ku ntwaro y'Abadagi hagati y'imyaka 1896 gushika birukanwe mu Burundi mu mwaka wa 1916; hamwe n'ivyakozwe ku ntwaro y'Ababiligi kuva mu mwaka wa 1916 gushika mu mwaka wa 1962.

    Muri iki cegeranyo, hari Abarundi baja kwumva - bijanye n'imyaka bafise - ivyo dushikiriza ubwa mbere; vyinshi bisiga ubwenge kandi biteye ubwoba!

REPUBLIQUE DU BURUNDI CVR COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

11. Muti none iryo honyabwoko ryakozwe mu 1972-1973 ryaje gute? Ryateguwe na ba nde? Ryagize ingaruka izihe? Ibi bibazo umugwi CVR wibajije vyerekana ko twagerageje kwinjira mu matohoza yimbitse. Ico twobwira Abarundi bose n'amakungu ni uko kwumva no kumenya ivyagoye Uburundi bwacu bisaba ubwitonzi no kwicisha bugufi; canecane tukibaza tuti:
« Mbega ihonyabwoko ryahitanye Abahutu bo mu Burundi ryaje giturumbuka? » « Mbega Abatutsi canke Abatwa bagandaguwe bazize iki? »

*Nyeniteka Umukuru w'Inama NShingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

12. Imbere yo kubashikiriza ivyo umugwi CVR watohoje, twagira tubanze tubibutse ko muri iyo myaka ine iheze, kuva mu 2018 gushika muri 2022, Umurwi CVR wakoze imirimo watumwe ; nayo ikaba iri mw'ibwirizwa n°1/022 ryo kuwa 6 Munyonyo 2018. Iryo bwirizwa ni ryo rishinga umugwi w'ugutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi, amabanga ushinzwe, abawugize, ingene utunganijwe n'ingene ukora.

13. Ku vyerekeye amabanga, umugwi CVR wahawe ikiringo c'imyaka ine, giharurwa kuva Abakomiseri barahiye ; nabo bakaba barahiye kw'igenekerezo rya 3 Kigarama 2018.

14. Turemeza ko mu kurangura amabanga tujejwe, Abakomiseri twese tugize umugwi CVR n'abo dufatanije muri ubwo butumwa twashize imbere kurondera no kwerekana ukuri kwari kwaranyegejwe imyaka myinshi. Ukwo kuri ni umuti urura twese dutegerezwa kunywa kugira Uburundi bwacu buronke amahoro. Ukwo kuri kuzozana ineza ku Barundi bose. Ntihagire umuntu n'umwe asubira gutinya ; kuko uwushaka gukira ingwara arayirata !

15. Nk'uko biri mw'ibwirizwa rigenga umugwi CVR, mu gace karyo ka 6, Abakomiseri n'abakozi b'uwo mugwi twakoze dusenyera ku mugozi umwe, mu gutohoza no mu kwerekana aho ukuri kuri ku mabi akomeye y'uguhonyanga agateka ka zina muntu n'amategeko mpuzamakungu yubahiriza ikiremwa muntu, yakozwe mu Burundi kuva ku wa 26 Ruhuhuma 1885 gushika mu 1973.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Twobamenyesha rero yuko tumaze gutohoza bishimishije ku mabi yakozwe muri iyo myaka ya kera. Twaragerageje kunoganza ibiraba amabi yakozwe mu mwaka wa 1972-1973. Turamaze kandi no kuza turasesangura bimwe bimwe ku mabi yakozwe mu yindi myaka, nk'ayo mu 1988, 1993 na 1995, aho bagiye baraduhamagara batoye ibinogo canecane aho bariko barubaka inyubako z'iterambere canke uburaro bw'abantu basanzwe.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama NShingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

16. Amatohoza yose Umugwi CVR wakoze, yari afise intumbero zikurikira:

- Intumbero ya 1: Kwerekana neza amabi yakozwe yerekeye uguhonyanga uburenganzira nyamukuru bw'abantu mu vyerekeye politike, mu vyabo, mu butunzi no mu mibano ;
- Intumbero ya 2: Kwerekana uruhara rw'ababikoze, hamwe n'uruhara rw'inzego za Reta, urw'amashirahamwe n'urw'imigwi y'abantu;
- Intumbero ya 3: Kwerekana kamere k'ububisha bwatowe mu matohoza, inkomoko n'urugero bwashitseko, ivyabaye muri kahise bifitaniye isano n'ubwo bubisha; uko ibintu vyari vyifashe muri ivyo bihe, ivyabitumye, uko ibihe vyari bimeze, imvo zatumye hakorwa ubwo bubisha, n'ivyo ababukoze bashaka gushikako;
- Intumbero ya 4 (ari yo ya nyuma): Kwerekana ahari ibinogo vyatawemwo abantu benshi ikivunga, no gufata ingingo zo gukingira ahavuye ibisigarira vy'abantu tumaze gukura muri ivyo bipfiro.

17. Uno musi uri hejuru turamutse tubereka kamere k'ubwo bubisha bwose ; bwo kuva ku muzo w'abakoloni gushika kw'ihonyabwoko ryahitanye Abahutu bo mu Burundi mu 1972-1973 be n'ubundi bubisha bwakorewe Abatutsi n'Abatwa b'i Burundi muri ivyo bihe.

18. Ivyo umugwi CVR watohoje mu mwaka w'2021 kandi ugashikiriza Abarundi n'amakungu vyaraye bishimangiwe n'ivyo amatohoza uyu mugwi wakoze mu mwaka w'2022 mu ntara za Bubanza, Cibitoke, Bujumbura, Rutana, Ngozi, Kayanza, Ruyigi na Cankuzo.

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Muri izo ntara tudondaguye, hakorewe akabi kabishe hamwe hamwe usanga kisa.

19. Nko mu ntara ya Rutana canecane muri Komine Bukemba, hari abavyeyi bategetswe kurya inyama z'abana babo bokejwe babakoza ibitoke vy'ibisahira baje bikoreye. Hari n'abandi bategetswe kunywa amaraso ya bagenzi babo bahejeje kwicwa. Ireresi duhejeje kubereka yabisiguye neza; vyashikirijwe n'abacitse kw'icumu bakiriho.

Aho nyene mu ntara ya Rutana, impunzi z'Abanyarwanda zarabica bigacika. Uwari kw'isonga ryabo ni uwitwa Nyaruhirira Alphonse yakora muri Bukemba. Abo Banyarwanda b'impunzi umugwi CVR uvuga, mwibuke ko bakoze akabi kabishe muri Muyinga, muri Komine Mwakiro no mu Kirundo canecane muri Komine Busoni na Bwambarangwe.

20. Hari ivyabaye bidasanzwe mu karere ka Cibitoke na Bubanza. Abarundi benshi bagandaguwe bishwe n'impunzi z'Abanyarwanda Uburundi bwari bwarahaye indaro; bamwe muri bo bari barashizwe mu nzego z'umutekano, nk'igisoda na gendarmerie. Izo mpunzi mu kwica bamwe zabata mu mashamba bakaribwa n'ibikoko; abandi babata mu nzuzi: muri Ruhwa, Muhira na Kaburantwa, aho ni mu Ntara ya Cibitoke.

21. Mu turere twa Ruyigi na Cankuzo, umugwi CVR wararonse amazina atari make y'Abarundi basasitse inganda. Muri Ruyigi, umugwi CVR warashoboye kuvugisha abari barongoye intwaro bakiriho; baremereye umugwi CVR ko "idayimoni" yari yateye mu Burundi mu 1972. Ariko muri utwo turere twa Ruyigi na Cankuzo naho nyene twaraharonse amazina y'impunzi z'Abanyarwanda zakoze ubwicanyi budasanzwe.

22. Mu ntara ya Bujumbura, cane cane aho twatoye ibinogo muri Komine Mubimbi, Mukike na Mugongomanga, abari barongoye intwaro baradomweko urutoke canecane ba Musitanteri na Komiseri w'Arrondissement. Muri Komine Mugongomanga, hatowe ikinogo kirekire cababa imetero 90 cavuyemwo ibisigarira vyashoboye guharurwa bingana 1562. Cabaye ikinogo ca mbere mu vyo tumaze gutora catawemwo abantu benshi ari kimwe.

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

23. Mu ntara ya Ngozi, umugwi CVR waragize ingorane nyinshi zo gutora ibinogo bivugwa ku murwa mukuru w'intara. Aho Abanyengozi baturangiye hose twasanze hubatswe amazu. Ariko mu misi iheze haratowe ikinogo ahubatswe amazu mashasha y'igipolisi c'igihugu; aho umugwi CVR warahashitse.

Twibutse Abarundi bose ko abahagarikwa i Ngozi no muri Kayanza benshi bamwe muribo bagiye kwicirwa i Gitega; abandi batabwa muri Ruvubu iruhande y'iseminari nkuru ya Burasira. Uwaja imbere muri ubwo bwicanyi yari Buramatari w'umusirikare Commandant Bizoza Joseph.

24. Muntara ya Kayanza haratowe ikinogo kinini muri Komine Rango. Iyo ntara ico gihe yari Arrondissement yegukira intara ya Ngozi.

25. Umwaka wa 2022, umugwi CVR warasubiriye gukorera mu ntara ya Rumonge, aho watoye ibinogo mu gisagara ca Rumonge ahari Komisariya y'igipolisi, muri Komine Buyengero no muri Komine Burambi.

26. Muri Burambi na Buyengero, ibimenyetso vy'umugambwe UPRONA vyarakoreshejwe cane kugira hamenyekane uwicwa n'uwuticwa: abari bafise uburenganzira bwo gutembera no guhagarika abandi bagendana idarapo rya UPRONA canke icumu ririko agatambara gatoya karanga umugambwe UPRONA. Ivyo vyose umugwi CVR utohoza ubifitiye amajwi n'inyandiko abavyemanga bashirako imikono.

27. Mu mpunzi z'Abanyarwanda zabonetse mu bwicanyi bwabereye mu karere ko mu bumanuko haravugwa cane uwitwa Aimable Nibishaka yari arongoye Collège y'i Matana mu 1972; yongera arashingwa amabanga atandukanye mu Bushikiranganji bw'Indero. Uwundi avugwa cane niuwitwa Kalibu Albino, yari afise imodoka yakoresha mu guseha abahagaritswe bagiye kwicwa.

28. Muri izo Komine za Burambi-Buyengero kandi, indege kajugujugu ya gisirikare yarahaje kenshi; yegeraniriza abahunga mu micamo no mu kabande hagaca hakora abasoda bafise inkoho. Abishwe benshi basangukiye hejuru. Aho hose umugwi CVR warahakoreye; n'abategetsi ba gisirikare batanga uruhusha rwo kugandagura

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

abahungiye mu masengero nka Paruwasi Buyenegero canke mu kabande twararonse amazina yabo.

29. Ikindi kidasanzwe muri ako karereko mu bumanuko ni uko habaye imigwi y'abanyagihugu yatanye mu mitwe: abavuye epfo mu kiyaya ca Tanganyika batanye mu mitwe n'abavuye muri Mugamba, Bururi, Matana na Songa. Abo bavuye mu makomine ya ruguru nka Mugamba na Songa harimwo abasirikare n'abasivile bafise inkoho canke imigano. Abantu bo muri ako karere bakuze bakiriho bahaye amakuru umugwi CVR benshi bavyise intambara ya Midodo: **"la bataille de Midodo".**

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

30. Mu mwaka wa 2022, umugwi CVR waratoye inyandiko zitanga umuco kuvyazingamitse igihugu: imanza z'akarenganyo zacitse zigahitana Abarundi n'Abarundikazi benshi; inyandiko zakumira abahutu mu mashure (biciye mu busuma bw'ama "certificats" mu gihugu cose); inyandiko zinyaga amatongo abahutu n'izindi zerekana ingene igihugu cinjiye mu macakubiri y'amoko n'intara. Ariko hariho n'abatutsi batotejwe bifatiye ku ntara n'imiryango.

Iyo tuvuze inyandiko canke Archives, Umugwi CVR uramenyesha Abarundi bose ko izo nyandiko ziriko imikono z'abari barongoye ibisata bitandukanye vy'ubutegetsi bw'igihugu muri iyo myaka y'amakuba igihugu caciyemwo. Nyinshi ziriko imikono z'abakora mu Butungane, mu nzego z'Umutekano n'abari barongoye Intara, "Arrondissement", Amakomine n'Igipolisi.

31. Mu vyo umugwi CVR washoboye gushikako kandi, harimwo amatohoza yimbitse yadufashije kwumva no kumenya ibimenyetso vyateguye ihonyabwoko ryo mu 1972-1973. Ayo matohoza umugwi CVR wakoze yaratanze umuco udasanzwe ku macakubiri ya politike yabaye hagati y'Abahima n'Abatutsi Banyaruguru mu 1971; ku bwicanyi bwahitanye Abahutu indiri mu 1969, mu 1965, Abasendikaliste bo mu Kamenge bagandaguwe mu 1962; igandagurwa ryahitanye Nyakubahwa Umushikirangoma wa mbere Ngendandumwe Petero mu 1965; Nyakubahwa Musenyeri Gihimbare Gabriel mu 1964, n'Umuganwa Rudoviko Rwagasore mu 1961.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

32. Amatohoza twakoze umwaka uheze wa 2022 yaradufashije kandi kumenya ayo Abarundi bagowe ku ntwaro y'Abadagi, ku ntwaro y'Ababiligi no ku muzo w'Abamisiyonari b'Abakatolika n'Abaporoti.

33. Amabi yose yabaye muri iyo myaka duhejeje kudondagura, umugwi CVR warayise amazina wishimikije ibwirizwa riwugenga canecane mu ngingo yaryo ya 6 kandi wihweje uburemere bw'ibibi vyakozwe.

34. Uko wagiye urakora, umugwi CVR wagiye uributsa abarongoye igihugu ingene itunganywa neza ry'inzego z'igihugu ryokomezwa kugira amabi yashitse muri kahise ntaze asubire kuba. Ivyo vyose, vyakozwe mu ntumbero y'ukwubaka igihugu c'Uburundi, bishingiye ku butungane **na "kirazira!"**

35. Umugwi CVR uramaze kwegeranya inzandiko zitari nke zizofasha mu kwandika gushasha kahise k'Uburundi n'ibikorwa vy'abashakashatsi.

36. Nk'uko bisabwa n'ibwirizwa, umugwi CVR warumvirije abantu benshi bagizwe n'Abarundi bo mu bwoko bwose hamwe n'abanyamahanga. Bose hamwe bamaze kuba Abarundi n'abanyamahanga 1.553; barimwo abagabo 1.213 n'abagore 340, bo mu ntara zose z'Uburundi uko ari 18. Hari n'abandi Barundi twasanze mu gihugu ca Tanzaniya, mu Bubiligi, muri Kenya no muri Washington muri Reta zunze ubumwe za Amerika. Ingendo zo mu bihugu vyo hanze zavuyemwo amakuru adasanzwe.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

37. Umugwi CVR wakoreye mu gihugu cose, ukorana n'abarongoye intwaro, umutekano, ubutungane n'abenegihugu bo mu ntara n'amakomine yose. Umugwi CVR warakoranye n'abenegihugu bo mu mirimo yose: abirimizi, abanyamyuga, abadandaza, abajejwe umutekano, abarongoye amadini, abarongoye amashirahamwe atandukanye, abakenyezi, abapfakazi, impfuvyi, abasirikare bakukurutse, abihebeye Imana, abigisha bo muri za Kaminuza...

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

38. Umugwi CVR warashikiriye n'abakozi ba Reta bakukurutse (abahoze ari abakuru mu gisirikare, abahoze bakora mu nzego z'iperereza, abahoze bakora mu nzego z'ubutungane; abahoze ari abamenyeshamakuru, abahoze ari abigisha, abahoze ari abanyezamu, abahoze ari abaforoma; abaciye mu mabanga yo kuba ba Musitanteri, abahoze ari abanditsi b'imanza (greffiers); abahoze ari abanyagikoni, abahoze ari abasirikare batobato, abahoze ari abakuru b'amazone, abahoze ari aba JRR, abahoze ari abapolisi ku makomine)... Abo mpejeje kudondagura bava mu bwoko bwose; harimwo n'ababwira umugwi CVR bati:

**"Naje sinosezera isi ataco nterereye mu butumwa bwo gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi!"**

39. Twarabajije n'abahoze ari abapfungwa mu mabohero nka Bujumbura, Gitega, Ngozi, Ruyigi, Bubanza, Bururi...; abahoze ari abashoferi b'imiduga, b'amakamyo n'amatingatinga; abungere b'amashengero; abahoze ari abamenyeshamana (les catéchistes); abahoze ari abagoronome, n'abandi ...

40. Umugwi CVR waragize ubushakashatsi ku bijanye n'inzandiko ahatari hake n'ibindi bintu biranga akahise bifiswe n'inzego n'amashirahamwe vya Reta. Mbere n'abantu basanzwe baraduhaye bimwe mu vyo bibikiye iwabo bishobora gufasha Umugwi CVR kumenya ukuri ku mabi yabaye mu gihugu.

41. Muri rusangi, umugwi CVR urashimishwa n'ingene wakoranye neza n'Abarundi hamwe n'abanyamahanga baba mu Burundi.

Ariko rero umugwi CVR uripfuza gushikira ivyabona n'inzandiko bisigaye bitari ku butaka bw'Uburundi. Umugwi CVR ugiye gusaba inzego z'igihugu uburyo bwo gushikira inzandiko ziri mu mahanga.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

42. Muri iyi myaka ine irangiye, umugwi CVR ntiwashoboye gushiraho abawuserukira mu ntara nk'uko biri mw'ibwirizwa; ivyo bikaba vyatumwe n'amikoro make y'umugwi.

43. Naho uburyo bwo gukora butari bukwiye, turashimira Reta y'Uburundi, Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zamye

zitwararika ko umugwi CVR uronswa uburyo kugira tubashe kurangura neza imirimo twatumwe n'igihugu.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

44. Icegeranyo tubashikirije uno musi, kigizwe n'ibitabo 52 bigizwe n'impapuro 19.870:muri ivyo bitabo 52, harimwo bitandatu (6) vy'intimatima y'icegeranyo;22 birimwo ibijanye n'amasanamu; 22 birimwo ibishingantahe vyatanzwe; kimwe kirimwo zimwe mu nzandiko za kahise zagomwe n'umugwi hamwe rero n'igitabo kimwe kirimwo impfunyapfunyo y'icegeranyo turiko turabashikiriza uyu musi.

Turabashikirije kandi ireresi yerekana mu ncamake ivyo umugwi CVR waranguye muri iyo myaka ine iheze.

Mu kwandika ibi bitabo 52 Abakomiseri n'abakozi bo muri CVR baritanze: uyu niwo mwanya mwiza wo gushimira umugwi muto wari ushinzwe kwegeranya no kwandika ku musi ku musi ivyo CVR yatohoje mu gihugu.Turashimiye Abakomiseri n'abakozi bose bafashije mu gutosora ibi bitabo 52.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

45. Muti none, muri iyo myaka ine yose, mwashitse kuki? Iruhande y'uko umugwi watohoje ukongera ugashika ku kwemeza ko habaye"ihonyabwoko *ryakorewe Abahutu bo mu Burundi mu 1972-1973"*, uremeza kandi ko hakozwe ivyaha vy'agahomerabunwa *(Crimes contre l'humanité)*, bikorerwa kiremwa muntu, bikaba vyakorewe Abahutu bo mu Burundi bwose; Abatutsi baba ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika, Makamba na Vugizo, mu kiringo c'imisi itatu kuva ku mugoroba w'igenekerezo rya 29 Ndamukiza mu mwaka wa 1972. Ivyo vyaha vyarakorewe kandi Abatwa mu ntara za Muramvya na Mwaro.

46. Nk'uko twabivuze mu kanya gaheze, iryo honyabwoko ryakozwe mu 1972-1973, ntiryakorotse nk'ima ry'imvura. Mu matohoza umugwi CVR washitseko, ako kabi kabishe kari karateguwe kuva kera, karashirwa mu ngiro, mbere na bene kugakora ntaco batagize kugira bakanyegeze canke ngo bagahakane. Uyu musi rero vyinshi biriko biraja ahabona.

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

47. Kugirango Abarundi dutegere neza ingene iryo honyabwoko ryakozwe, umugwi CVR waciye uja gusesangura muri kahise k'impitakivi k'Uburundi kugira ngo umenye imvo n'imvano y'ingene ryateguwe.

48. Mu matohoza umugwi CVR washitseko, wasanze umuzo w'abanyabulaya ari wo wazanye ivy'amacakubiri ashingiye ku moko nk'uko mwavyiboneye mw'ireresi twaberetse.

49. Ingoma y'Uburundi yaratewe n'Abadagi hamwe n'Ababirigi inganda ziratikira ; ihohoterwa ry'agateka ka zinamuntu rica ririmonogoza kuko haciye hatangura ibikorwa vy'akavunamafyigo, ikori ry'umutwe, ikimoko n'ibindi. Ayo mabi yatumye abagabo batari bake bata baromoka.

50. Umugwi CVR warasesanguye bikwiye n'ibindi vyaha vyakorewe Abarundi ku ntwaro y'abakoloni, haba ku ntwaro y'Abadagi yo kuva mu mwaka w'1896 gushika mu 1916, no ku ntwaro y'Ababiligi yo kuva mu mwaka w'1916 gushika mu 1962. Izo ntwaro z'abakoloni, Umugwi CVR uzagiriza ivyaha bitari musi ya12, arivyo vy'ibi:

- Ica mbere: Kuvogera igihugu cacu c'Uburundi no kugishira mu mananiza y'ubukoloni ;
- Ica kabiri: Gutikiza inganda;
- Ica gatatu: Gusahura ubutunzi bw'igihugu;
- Ica kane: Gusambura no gutitura iteka ry'abavyeyi gushika naho bakubitirwa imbere y'abana bari gusa ;
- Ica gatanu: Gukumira abagabo mu ntwaro y'igihugu, bagashinga amabanga bamwe mu rwaruka rwa Sindabibazwa n'imburakimazi ;
- Ica gatandatu: Kubiba imbuto mbi y'amacakubiri mu Barundi, ari nayo yatumye abenegihugu bashika n'aho bicana, bitana Abahutu, Abatutsi n'Abatwa;
- Ic'indwi: Gutesha agaciro abanyamabanga kandi aribo bari bashigikiye intwaro ya cami mu Burundi, gushika naho Abarundi bateshwa bagata ubuhinga n'ubumenyi bari bagezeko ;
- Ic'umunani : Gutesha agaciro Umwami kandi ariwe yari ishingiro ry'Ingoma y'Uburundi ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

- Ic'icenda : Kunebagura iteka n'akaranga vy'Uburundi ;
- Ikigira cumi : Guhatira Abarundi kwihakana ukwemera kwabo bagakubitirwa kwinjizwa ku gahato mw'idini rishasha ryari rizanywe n'abanyamahanga ;
- Ic'icumi na rimwe : Gutitura imico n'imigenzo y'Abarundi ;
- Ic'icumi na kabiri : Kwankisha Abarundi igihugu cabo c'amavukiro, gushika naho haboneka ababafasha kugisambura ;
- Ic'icumi na gatatu arico ca nyuma: Gukumira Abarundi mu ndinganizo y'ivy'intwaro n'ubutunzi.

Muri make, iki cegeranyo c'Umugwi CVR kiremeza ko abakoloni basambuye Uburundi.

51. Abarundi bamaze gushirwa mu migwi ishingiye ku moko, haciye hajaho itegeko ryo ku wa 21 Myandagaro 1925 ryateweko igikumu n'umwami w'Ububiligi Leopoldo wa Kabiri(le Roi Léopold II). Iryo tegeko ryaje gusambura intwaro yari isanzwe ishingiye ku miryango(clans) ; haca hashingwa intwaro ishingiye ku moko (ethnies). Kuva ico gihe haciye hatangura ikumirwa ry'Abahutu, abagore (Mukakaryenda, Inamujandi, Inakigunu,...) n'abatwa. Uwo mugambi wo gucanishamwo Abarundi washizwe mu ngiro n'Umubiligi yitwa Petero Ryckmans.

52. Umugwi CVR warasesanguye, usanga amabi yakozwe muri ico gihe yarashegeshe yongera arasesereza Abarundi ; ari naho hahavuye hahaguruka intwari ziragwana kugira zikure k'Uburundi intwaro z'abanyamahanga. Izo ntwari zikwiye kumenyekana no gusonerwa. Nazo ni nk'izi :

- Abadasigana ba Mwezi Gisabo, aribo ntwaramiheto z'Umwami, bagwanije Abadagi hagati y'Umwaka wa 1896-1903 ;
- Abatware Bikari na Rumonge, abatware bo mu Rumonge bagandaguwe n'Abadagi babaziza ngo bishe Abamisiyonari baje kubatera mu mwaka wa 1902 ;
- Bihome umunyamuramvya yiguze Umwami Mwezi Gisabo, ngo ntagwe mu minwe y'Abadagi mu mwaka wa 1903 ;
- Runyota Kanyarufunzo yagwanije Abakoloni b'Ababiligi hamwe n'abatware b'abomekerano. Intambara zatanguriye i Bibara muri Komine Mutumba arabagwanya kugeza ku Ruvubu mu ntara ya Karusi mu 1922 ;
- Umukenyezi Inamujandi-Mucacuzi (yaca imanza zananiranye) yagwanije intwaro y'abakoloni b'Ababiligi hamwe n'abatware

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

b'abomekerano mu ntara za Cibitoke (Bukinanyana-Butara) na Bubanza (Zina) mu mwaka wa 1934 ;

- Uwitwa Rubengebenge yamiriye kure intwaro y'Ababiligi mu 1921, mu micungararo y'i Kanyinya mu ntara Kirundo ;
- Inamuvyeyi-Nyavyinshi nawe yagandaguriwe mu Rugari muri Muyinga mu 1938 ahorwa ko ariko arahabuza agateka k'Abarundi mugihe hariko hubakwa isengero Katolika yo mu Rugari ;
- Pascal Pahuda, mu mwaka w'1944, yahamagariye Abarundi bo mu bumanuko bushira ubuseruko(ku rubibe rwa Rutana na Ruyigi) kwikurako intwaro y'abazungu.
- Hariho n'abandi Barundi benshi bitanze mu myaka itandukanye kugira Uburundi bubeho. Benshi mu bo CVR imaze kumenya banditswe muri iki cegeranyo.

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

53. Abarundi b'ubu n'abazovuka, babimenye babimenyere, yuko Abadagi, Ababiligi n'Abamisiyonari bafitiye umwenda uhambaye Uburundi :

- Umwenda wa mbere : Abakoloni batwiciye igihugu cacu c'Uburundi, mu kutubibamwo umugera w'amacakubiri watikije inganda ;
- Umwenda wa kabiri : Abakoloni bomekereye Abarundi ku bwoko batahorana bakundwakaza bumwe bituma abiswe intabwa bicuza gushika naho bamwebamwe batangura ivyo kwihutura. Akarorero ni Abajiji benshi bari begereye ubwami n'abatware batonye ibwami barihutuye ; ari naho uno musi musanga mu miryango imwimwe harimwo abahutu n'abatutsi bigatangaza abatazi iyo vyaturutse;
- Umwenda wa gatatu : Abakoloni bicishije inzara Abarundi mu kubategeka kubaha ku buntu ivyo barimye canke boroye ; ivyo kandi bakabigereka ku bikorwa vy'akavunamafyigo babakoresha batabahemba ;
- Umwenda wa kane : Abamisiyonari nabo bafashije abakoloni mu gusambura igihugu canecane bafatiye ku nkingi y'urufatiro rwo kwemera Imana kw'Abarundi (kubuza umuganuro, kubuza gusenga Imana ngo basenge Mungu, gusambura ibitabo vyose

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

bahubaka amasengero.... («*Nous allons construire notre Eglise sur les ruines de la religion burundaise*».) ;

- Umwenda wa gatanu : Abamisiyonari bategeka gushikanirwa nk'abandi bakoloni (zana amagi, zana amasoro) ....

Ariko rero imbere y'umuzo w'abazungu vyose ntivyera ngo de mu gihugu ! Umugwi CVR waratohoje, usanga hari utunenge tumwetumwe mu mibano y'Abarundi : Ukunena, Ubugererwa, Ubugabire, Ukunyaga, Ukwangaza, Ugutanga ikimazi-muntu, Ugushoregwako inka, ukwagiriza imiryango imwimwe ngo itera umukoshi, ugukumira Abatwa, n'ibindi.

Ku vyerekeye amakuba n'amahano yashikiye Abarundi ku ntwaro y'Abadagi n'Ababiligi bari kumwe n'abamisiyonari, umugwi CVR wabitomoye mu gifaransa mu majambo akurikira :

**DE TOUT CE QUI PRECEDE, LA CVR DECLARE SOLENELLEMENT QUE LES COLONISATEURS ALLEMANDS ET BELGES ONT COMMIS AU BURUNDI DES CRIMES ECONOMIQUES ATTENTATOIRES AUX DROITS DE L'HOMME AVEC LA COMPLICITE DES MISSIONNAIRES CATHOLIQUES.**

*Banyeniteka murongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Bashingamateka namwe Bakenguzamateka mwese,*

54. Nk'uko muzovyisomera mu vyegeranyo twaraye tubashikirije, Abakoloni ntibashize ibirwanisho hasi mu gihe Abarundi bariko bararondera guhabuza intahe y'ukwikukira. Bobo mu gihe Abarundi benshi bashaka guhabuza intahe yabo y'ukwikukira vyihuta, Ababiligi bagerageje gucanishamwo Abarundi kugira ngo n'imiburiburi iyo ntahe izoboneke inyuma y'iyindi myaka mirongo itatu (30), gutyo Abarundi bakikukira mu 1980.

55. Iyo nyifato igayitse y'Abakoloni yashitse kw'igandagurwa ry'Umushikirangoma wa mbere, Umuganwa Rudoviko Rwagasore, ku wa 13 Gitugutu 1961. Umuganwa Rwagasore yazize uguhabuza intahe y'ukwikukira Abarundi bambuwe n'Abadagi mu 1903.

56. Mu matohoza Umugwi CVR wakoze, Rwagasore amaze gutorwa, Ababiligi baciye batangura kugira inama z'urutavanako barondera

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

ingene bomugandagura. Inama rukokoma yabereye i Gitega igenekerezo rya 20 Nyakanga 1961. Biribonekeza neza yuko, naho Rwagasore yarashwe n'umugereki Yohani Kageorgis, uno mwicanyi yari yabigiye inama n'Ababiligi hamwe n'abakuru b'umugambwe PDC/Parti démocrate chrétien, bari baherutse gutsindwa mu matora y'abashingamateka yabaye ku wa 18/9/1961.

57. Vyaragaragaye ko abagiye inama yo kwica Rudoviko Rwagasore, bari batewe intege n'Ababiligi mu bakuru b'abakoloni nka Jean Paul Harroy yari Résident général w'Urwanda n'Uburundi, be na Roberto Régnier yari Résident w'Uburundi.

Mbere n'Umwami w'Ububiligi ariwe Baudoin, ntaco atakoze kugira abishe Rwagasore ntibahanwe. Ariko Abarundi barahagaze nk'abagabo, imanza ziracibwa bigoranye gato!

58. Yohani Kageorgis yarashe Rudoviko Rwagasore, urubanza rwiwe rwaraciwe. Yaciriwe urwo gupfa, maze araswa kw'italiki 30/6/1962, buca Uburundi bwikukira, kw'igenerezo rya 1 Mukakaro 1962. Abo bafatanije umugambi ugayitse, nka Yohani Baptista Ntidendereza, Yozefu Birori, Yohani Baptista Ntakiyica, Antoni Nahimana n'umugereki yitwa Micheli Iatrou, nabo nyene barahavuye baracirirwa urubanza. Banyongewe ku kibuga i Gitega, ku wa 15 Nzero 1963, igihugu gikoranye.

59. Urupfu rwa Rudoviko Rwagasore, incungu y'ukwikukira kw'Uburundi, umugwi CVR urwagiriza icese igihugu c'Ububiligi. Ni naco gituma Reta y'Uburundi yosaba ico gihugu c'Ububiligi kwemanga icese ako kabi cakoze, kigasaba ikigongwe Abarundi, kikanashumbusha umuryango w'umuganwa Rudoviko Rwagasore ndetse n'igihugu c'Uburundi.

Umugwi CVR wihweje ingene Uburundi bwahekuwe, bukongerako amaganya n'akabonge urwo rupfu rwasize mu muryango waRudoviko Rwagasore, twabonye iryo bara ryakozwe rohabwa izina rikurikira mu rurimi rw'igifaransa:

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

**DE TOUT CE QUI PRÉCÈDE, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION AYANT REVISITÉ TOUS LES FAITS ET RELU LE JUGEMENT RENDU SUR LA MORT DU PRINCE RWAGASORE, DÉCLARE SOLENNELLEMENT QUE LE PREMIER MINISTRE, LE PRINCE LOUIS RWAGASORE A ÉTÉ VICTIME D'UN ASSASSINAT AU MOBILE POLITIQUE ORGANISÉ ET PLANIFIÉ PAR LA BELGIQUE.**

Ibi twatohoje nk'umugwi, n'Ababiligi batari bake baheruka kubishira ahabona mu bitabo baheruka gusohora.

*Banyeniteka murongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Bashingamateka namwe Bakenguzamateka mwese,*

60. Mu mwaka w'1962 harabaye ubwicanyi buboneka nka zimwe mu nkurikizi z'igandagurwa ry'umuganwa Rudoviko Rwagasore.

61. Hano mu gisagara ca Bujumbura, muri ico gihe harishwe abakuru b'aba "Syndicalistes chrétiens" bo mu bwoko bw'Abahutu mu Kamenge, Gasenyi na Gatunguru. Bamwe muri bo, ni nabo bari barongoye umugambwe PP (Parti du Peuple), bakaba bahagaritswe bongera bicwa n'abari barongoye umuhari witwa JNR (Jeunesse Nationaliste Rwagasore).

62. Abagandaguwe bishwe urw'agashinyaguro; barasinzikarizwa ubuzima gushika naho bamwe muri bo bahambwa babona. Kandundura ni umugore yitwa Fatuma yagize umwanda muto ku wugiye guhambwa abona yitwa Nduwabike.

63. Urubanza rw'abakoze ico caha, n'uyo Fatuma arimwo rwarabaye, biramenyekana ko abatumwe kwica ari abakuru mu mugambwe UPRONA na JNR, nka Prime Niyongabo, Ildephonse Ntamikevyo n'uwitwa Jean Marie Rugigana. Urwo rubanza naho rwaciwe, ntirwigeze ruja mu ngiro. Umwe mu banditsi b'ibitabo niwe yumvise abigamba bavuga ngo: "**Abahutu turabica tukabaherana"!!!!!**

Aya makuba yashikiye "Abasendikaliste" bo mu Kamenge n'indongozi z'abanyepolitike b'umugambwe witwa PP/Parti du Peuple ico gihe, umugwi CVR nk'uko wavyanditse mu cegeranyo wabashikirije, watomoye mu gifaransa ibi bikurikira:

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

**DE TOUT CE QUI CE QUI PRECEDE ET A LA LUMIERE DES DISPOSITIONS LEGALES PRECITEES, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DU BURUNDI DECLARE SOLENNELLEMENT QUE LES VIOLATIONS GRAVES DES DROITS DE L'HOMME PERPETREES DANS LE QUARTIER DE KAMENGE LE 14 JANVIER 1962 ET LES JOURS QUI ONT SUIVI, SONT CONSTITUTIVES DES INFRACTIONS DE GENOCIDE, D'ASSASSINAT, DE VOL QUALIFIE ET D'INCENDIE DONT ONT ETE VICTIMES LES SYNDICALISTES CHRETIENS ET LES MEMBRES DU PARTI DU PEUPLE (PP).**

- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka,*
- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa mwese muri mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka,*

64. Mu mwaka w'1964, harabaye igandagurwa ry'uwundi mwubahwa adasanzwe mu buzima bw'igihuguna Ekleziya Katolika, umusenyeri wa mbere w'umurundi w'umuhutu yitwa Gihimbare Gabriel. Uyu Musenyeri yari asanzwe ari umwibutsa-Mana mukuru (Aumônier général) w'abasirikare b'Uburundi.

65. Musenyeri Gihimbare Gabriel yavuka muri Komine Giheta mu ntara ya Gitega. Mu matohoza CVR yakoze, yerekana ko uwo Musenyeri yakundwa cane. Yagandaguwe yari aherutse kugenwa na Papa Paul wa VI ngo abe umusubirizi wa Musenyeri Antoine Grauls ku ntebe y'ubwepiskopi katolika muri diyoseze nkuru ya Gitega.

66. Musenyeri Gihimbare Gabriel yarasiwe ahitwa ku Nyanza muri komine Busoni, mu ntara ya Kirundo, ku wa 13 Kigarama 1964, aho yari yagiye gusezera abasirikare yari asanzwe ajejwe. Umupatiri mugenzi we arangurira ubutumwa mu gisirikare c'Uburundi yitwa Thomas Mahwera (yari Aumônier mu basirikare), yari yamubujije kuja mu Kirundo gusezera abasirikare. Musenyeri Gihimbare yarashwe n'umukaporali yitwa Caporal Bavumiragira; kandi ntiyigeze ahanwa! Kabaye akamizwe n'ingoma! Abasirikare bakorera muri Busoni ico gihe bari barongowe na Capitaine Paulo Rusiga. N'iyo ntwazangabo mu basirikare ntaco bigeze bamubaza!

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Ivyo vyose umugwi CVR umaze kubitohoza no kuvyihweza washimye kubishikiriza mu gifaransa mu majambo akurikira:

**CONSIDÉRANT LES RÉSULTATS DES ENQUÊTES MENÉES PAR LA CVR, NOTAMMENT LES AUDITIONS COLLECTÉES SUR LE TERRAIN, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DU BURUNDI DÉCLARE SOLENNELLEMENT QUE L'ASSASSINAT DE MGR GIHIMBARE GABRIEL, EVÊQUE AUXILIAIRE NOMMÉ PAR LE PAPE PAUL VI POUR SUCCÉDER À MGR GRAULS ANTOINE, ARCHEVÊQUE DE GITEGA, EST UN CRIME D'ETAT. CET ASSASSINAT A PENDANT LONGTEMPS CRÉÉ UNE FRACTURE IDENTITAIRE AU SEIN DE L'EGLISE CATHOLIQUE DU BURUNDI.**

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

67. Uburundi bwacu ntibwigeze buronka agahengwe ! Mu mwaka w'1965 naho, harabayeamabi menshi. Mu ntango z'umwaka, ku wa 15 Nzero 1965, hagandaguwe Umushikirangoma wa mbere w'Uburundi, Petero Ngendandumwe. Yari incabwenge y'umuhutu akaba ari mu bahabuje intahe y'ukwikukira hambavu y'Umuganwa Rudoviko Rwagasore. Ku murango yashinze Reta; ku mugoroba aja mu bitaro Clinique Rhodain (iyi yitwa Hôpital Prince Louis Rwagasore) kwibarutsa umukenyezi wiwe.

68. Umunyarwanda w'impunzi yitwa Gonzalves Muyenzi, yarashe Petero Ngendandumwe, yafatiwe mu Bwiza aho yinyegeje. Yarapfunzwe imisi mike mw'ibohero rikuru rya Mpimba; hanyuma abategetsi baribamuhaye ico gikorwa kigayitse baramutorokesha; bamuhungishiriza mu gihugu ca Uganda.

Abafashwe bagirizwa gutegura urupfu rwa Petero Ngendandumwe, bose bararekuwe, baridegemvya.

69. Mu makuru ntahinyuzwa Umugwi CVR watohoje yemeza koMichel Micombero yatwara igisirikare (Secrétaire d'Etat à l'Armée) ari we yatanze inkoho k'uwatazirwa Bushoro; uwo yari yateguwe kugira arase Petero Ngendandumwe iyo Gonzalves Muyenzi amuhusha. Vyongeye Michel Micombero baramubonye aho hantu hiciwe Pierre

Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Ngendandumwe, kuri Clinique Rhodain yitwa Clinique Prince Louis Rwagasore uno musi.

- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi,*
- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka y'Uburundi,*
- *Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nshingamateka,*
- *Banyakubahwa Mugize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa Bashingamateka mwese,*
- *Banyakubahwa Bakenguzamateka mwese,*

70. Muri uwo mwaka nyene w'1965, abasirikare barimwo abahutu n'abatutsi, barongowe na Capitaine Michel Micombero yatwara igisirikare hamwe na Commandant Serukwavu Antoine yatwara ikijandarume barateguye bari hamwe, bongera barageragеza gutembagaza intwaro ya cami mw'ijoro ry'uwa 19 rishira uwa 20 Gitugutu 1965.

71. Iyo nteguro yabayemwo umutego udasanzwe kuko Capitaine Michel Micombero atabaye akirungika abasirikare yari yemeye mu gufasha Commandant Antoine Serukwavu gufata ikirimba; ahubwo Michel Micombero yaciye abarungika nk'abagiye gutabara Umwami, maze baca barwanya abajandarume barongowe naCommandant Antoine Serukwavu. Muri uwo mugambi wo gutembagaza ubutegetsi, umushikirangoma wa mbere Biha Léopold yararashwe, aranakomereka ku bitugu.

72. Umwami Mwambutsa Bangiricengeyaciye ahungishwa aciye muri Congo Kinshasa; hanyuma Umushikirangoma wa mbere Biha Léopold yungururizwa kwivuza mu mahanga. Umunyamabanga wa Reta yari ajejwe abajandarume, Commandant Antoine Serukwavu yaciye ahunga igihugu aciye mu Kirundo.

73. Capitaine Michel Micombero yari ajejwe abasirikare ari nawe yari yahenze Commandant Antoine Serukwavu aca afadikanya na Arthémon Simbananiye yari Umunyamabanga wa Reta ajejwe ubutungane mu gufata Abahutu bari abakuru mu Nama Nshingamateka, mu Nama Nkeguzamateka, mu Gisirikare, mu Kijandarume, mu Ntwaro yo hagati, n'ahandi. Abafashwe bose baraciriwe imanza z'igihutihuti; baca baricwa badahawe n'amahirwe yo kwunguruza izo baciriwe.

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

74. Irengukishwa n'isasa ry'izo manza vyamara umwanya urume rumara. Barafatwa, bakajanwa imbere y'abacamanza gisirakare; aho nyene hakaba hari umupatiri abiregesha, bagacirwa urwo gupfa, bagaca bajanwa kuraswa.

75. Muri abo bakuru bagandaguwe baturuka mu bwoko bw'Abahutu gusa, harimwo Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Joseph Bamina; icegera ciwe ca mbere Ignace Ndimanya; icegera ciwe ca kabiri, Sylvestre Karibwami.

Mu Nama Nshingamateka, barafashe bongera baragandagura Umukuru w'Inama Nshingametaka Emile Bucumi, icegera ciwe ca mbere Paul Mirerekano, n'icegera ciwe ca kabiri Patrice Mayondo.

76. Muri uko kwezi kwa gitugutu mu 1965, nk'inkurikizi y'iryo gandagurwa ry'indongozi z'abahutu haciye hakurikira urundi rwimo mu ntara ya Muramvya. Uwitwa Nzobaza Mathias, ashangashiwe n'ivyari bihejeje kuba yaciye ahimiriza abahutu bamuyoboka maze baha umuriro ingo z'Abatutsi i Bugarama n'i Busangana; Abatutsi batari bake baricwa, abandi bahungira mu Kibira.

Abasirikare ngo baze gutabara nabo bashikira gufata no kwica Abahutu bose bikeka ko bishe Abatutsi. Ivyabaye i Muramvya vyinshi twarabitohoje nk'umugwi; kandi twaronse inkuru zifashe kuko twavugishije ababuze ababo kandi bashikana canke barenza imyaka 70.

Ubu bwicanyi bwahekuye Uburundi Umushikirangoma wa mbere Petero Ngendandumwe, umugwi CVR ubitomorera Abarundi n'amakungu mu majambo y'igifaransa akurikira:

**DE TOUT CE QUI PRÉCÈDE, AU REGARD DES DISPOSITIONS PERTINENTES TANT DU DROIT INTERNATIONAL QUE DU DROIT INTERNE, EN TENANT COMPTE DU CONTEXTE FORTEMENT MARQUÉ PAR LES DISSENSIONS DE NATURE TANT POLITIQUE QU'ETHNIQUE, ET EN CONSIDÉRANT LES ENQUÊTES MENÉES, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DÉCLARE SOLENNELLEMENT QUE LA MORT DU PREMIER MINISTRE PIERRE NGENDANDUMWE CONSTITUE UN ASSASSINAT À MOBILE ETHNICO-POLITIQUE.**

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

**LA CVR CONSIDÈRE QUE L'ASSASSINAT DE PIERRE NGENDANDUMWE A CRÉÉ UNE CASSURE ET UNE MÉFIANCE EXACERBÉE ENTRE LES ÉLITES DE LA COMPOSANTE ETHNIQUE HUTU ET LES ÉLITES DE LA COMPOSANTE ETHNIQUE TUTSI.**

**LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DU BURUNDI CONSIDÈRE EN OUTRE QU'IL S'AGIT D'UNE VIOLATION GRAVE DES NORMES JURIDIQUES BURUNDAISES D'ALORS ET DES NORMES DU DROIT INTERNATIONAL DES DROITS DE L'HOMME QUI PEUT ÊTRE QUALIFIÉE DE CRIME CONTRE L'HUMANITÉ SI L' ON CONSIDÈRE LA SÉRIE DES CRIMES QUI ONT ÉTÉ COMMIS AVANT ET APRES L'ASSASSINAT DE PIERRE NGENDANDUMWE, EN NE LE PRENANT PAS COMME UN CAS ISOLÉ (C'EST-A-DIRE L'ASSASSINAT DES SYNDICALISTES BAHUTU DE KAMENGE EN JANVIER 1962 ; L'ASSASSINAT DE MGR GIHIMBARE GABRIEL EN DECEMBRE 1964 ET L'ASSASSINAT DES LEADERS POLITIQUES ET MILITAIRES EN OCTOBRE 1965).**

Aya matohoza y'umugwi CVR aratangaza benshi kuko igihugu catwawe mu kinyoma kidasanzwe !

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka y'Uburundi,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka y'Uburundi,*

Kuvyerekeye umugambi w'ugutembagaza Ingoma y'Ubwami mu 1965, umugwi CVR ubishikiriza icese mu majambo akurikira y'igifaransa :

**DE TOUT CE QUI PRÉCÈDE, IL RESSORT QUE LE CAPITAINE MICHEL MICOMBERO, SECRETAIRE D'ETAT A L'ARMEE A L'EPOQUE DES FAITS ET LE COMMANDANT ANTOINE SERUKWAVU, SECRETAIRE D'ETAT A LA GENDARMERIE A L'EPOQUE DES FAITS ONT SEMÉ LE TROUBLE DANS LE PAYS EN LANÇANT UN COUP D'ETAT MANQUÉ CONTRE LE MWAMI MWAMBUTSA IV, EN VIOLANT LA CONSTITUTION, ET PARTANT EN COMMETTANT UN ACTE DE RÉBELLION RÉPRIMÉ PAR LE CODE PÉNAL DE 1940.**

Muri ubwo bwicanyi nyene bwatandukiriye intara ya Muramvya cane cane mu karere ka Busangana na Bugarama, izina ritomora ivyabaye mu majambo akurikira mu rurimi rw'igifaransa :

C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

**CONSIDÉRANT LES FAITS CI-DESSUS, EN TENANT COMPTE DES ENQUÊTES MENÉES À BUJUMBURA, À BUGARAMA, À BUSANGANA ET À MURAMVYA, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DÉCLARE SOLENNELLEMENT QUE LES CRIMES COMMIS CONTRE LES CADRES POLITIQUES, CIVILS ET MILITAIRES BAHUTU ET LES POPULATIONS RURALES BAHUTU DE BUGARAMA ET BUSANGANA CONSTITUENT DES ACTES DE GÉNOCIDE DANS LEUR ALLURE, LEUR INTENTION ET LEUR PLANIFICATION.**

**LES CRIMES QUI ONT ÉTÉ COMMIS DEPUIS LE 19 OCTOBRE 1965 ONT IMPLIQUÉ L'ETAT À TRAVERS LA MACHINE POLITICO-MILITAIRE REPRÉSENTÉE AU SOMMET PAR LE CAPITAINE MICHEL MICOMBERO, SECRETAIRE D'ETAT A L'ARMEE ET ARTHEMON SIMBANANIYE, SECRETAIRE D'ETAT A LA JUSTICE A L'EPOQUE DES FAITS.**

**EN OUTRE, LES ASSASSINATS PERPÉTRÉS CONTRE LES POPULATIONS BATUTSI DANS LES LOCALITÉS DE BUSANGANA ET DE BUGARAMA, LES INCENDIES DE LEURS MAISONS AINSI QUE LE PILLAGE DE LEURS BIENS SONT CONSTITUTIFS DE CRIMES CONTRE L'HUMANITÉ.**

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

77. Ntimurambirwe kuko umugwi CVR mwawushinze gutohoza ibintu Abarundi benshi banyotewe kumenya. Mu mwaka w'1969, harabaye ubundi bwicanyi bw'agahomerabunywa bwahitanye incabwenge z'Abahutu.

78. Mu 1969, abahutu batari bake baragiriwe irementanya barafatwa, barafungwa ; barajanwa n'imbere y'intahe : bagirizwa ko bafise umugambi wo gutembagaza intwaro ya Prezida Michel Micombero. Baciriwe imanza gihutihuti ; amategeko ahonyanzwe kandi nta kigongwe bagiriwe. Benshi muribo barishwe. Muribo, harimwo intwazangabo mu gisirikare bari kumwe na Michel Micombero mu mashule ya gisirikare mu Bubiligi. Bari baherutse gutahuka mu Burundi bahejeje amashure.

Abo ni nka Commandant Karorero Karoli, Capitaine Katariho Nikodemu na Capitaine Matiyasi Bazayuwundi. Abo bose barishwe.

Muri uyu mwaka turimwo umugwi CVR warabonanye mu Bubiligi n'abapfakazi ba Commandant Karoli Karorero na Commandant Matiyasi Bazayuwundi. Barabwiye umugwi CVR ko ukwicwa kw'abo basirikare kwateguwe n'intwaro ya Perezida Michel Micombero bakiri kwiga i Buruseli mu Bubiligi.

Imbere y'uko batahuka mu Burundi haravuzwe ibihuha vyinshi kuri bo : bimwe ngo bariko barategura gutera Uburundi baturutse mu Rwanda ; ibindi bihuha bikavuga ko batazotaha, bazoca bigira mu Rwanda.
Reta y'Uburundi yaranabarungikiye intumwa zari zirongowe na Commandant Jerôme Ntungumburanye.
Abo basirikare bari bahejeje amashure babwiye Commandant Ntungumburanye bati : « Twebwe tuzotaha i Burundi iwacu. Twebwe twize ku buryo bw'igihugu. Bati ivyo bihuha bivugwa kuri twebwe ntituzi iyo biva ! »

Umusi bashika ku kibuga c'indege ca Bujumbura, nta numwe yashikiye mu muryango wiwe ; igisirikare c'Uburundi cari cabateguriye aho bashikira ! Haheze imisi mike inzego za gisirikare zibarungika gukorera mu ntara zitandukanye. Ivyakurikiye ntivyoroshe kuko bagandaguwe bose !

79. Kuva mu mwaka w'1966, aho intwaro ya cami itembagarijwe mu Burundi, hakaza intwaro ya Repuburika, gushika mu mwaka w'1971, hari ibihuha vy'urutavanako, imyikeko, uruhagarara, intwaro ya ryogora-duhure... Abantu, canecane Abahutu bigeze mu mugambwe PP/Parti du Peuple, barafatwa, bagapfungwa, bakaborezwa igufa, bazira uruvugo n'umwikeko canke ko bagifise ivyiyumviro vyo ku ntwaroya cami. Abitwa Abaganwa bobo baciye bakumirwa. Umugwi CVR waragize amahirwe uratora inyandiko nyinshi zerekana agacinyizo k'ico gihe !

80. Ivyo vyose bitagenda neza mu gihugu, umushikiranganji w'ukumenyesha amakuru w'ico gihe Commandant Maritino Ndayahoze, yaravyandikiye Prezida Michel Micombero mu 1968, mu cegeranyo kidasanzwe ca poritike citwa « Rapport politique ». Commandant Maritino Ndayahoze yanditse avuga ko hari akagwi k'Abatutsi bariko barategura guhonya Abahutu ; akagwi kari karemeshejwe na Arutemoni Simbananiye. Ivyo ntivyanditswe na Commandant Maritino Ndayahoze we nyene. N'abasaserdoti bo muri

Diyoseze nkuru katolika ya Gitega, baravyanditse mu cegeranyo c'inama bagize mu 1969, bavuga ko ibintu biriko birayangara mu gihugu. Mu bari muri iyo nama y'abihebeye Imana, harimwo Patiri Mikaheli Kayoya. Uyu nawe, co kimwe na Commandant Maritino Ndayahoze, ntiyarokotse mu 1972.Bagandaguwe mu bambere mu 1972.

Iryo gandagurwa ry'izo ndongozi z'abasirikare n'abasivile, twashimye kuriha izina rikurikira muri aya majambo y'igifaransa :

**DE TOUT CE QUI PRECEDE ET A LA LUMIERE DES DISPOSITIONS LEGALES PRECITEES, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DU BURUNDI DECLARE SOLENNELLEMENT QUE LES VIOLATIONS GRAVES DES DROITS DE L'HOMME COMMISES EN 1969 SONT CONSTITUTIVES DE L'INFRACTION DE CRIMES CONTRE L'HUMANITE.**

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

81. Mu mwaka w' 1971 muri ya ngendo y'akadenderezo, hari Abatutsi bafashwe, baraborezwa igufa barapfungwa, baraja imbere y'intahe bagirizwa kobagomvye gutembagaza ubutegetsi burongowe na Prezida Michel Micombero.

82. Ico gihe umushikirizamanza Nduwayo Léonard yariko araburana urwo rubanza yabwiye Sentare ko abo bantu ataco bagira. Bukeye bwahoumushikirizamanza Léonard Nduwayo yaciye abogozwa ; asubirizwa n'uwundi mushikirizamanza, yitwa Kayibigi Bernard.

83. Urubanza rwaciye ruba; bituma hacibwa ibihano bishika no kugihano co gupfa.

84. Kubera amajwi avuye mu mpande zitandukanye z'isi no mu gihugu hagati, abari bagize uwo murwi w'abo Batutsi witwa ko urongowe na Commandant Jérôme Ntungumburanye na bagenzi biwe, bahavuye bagirirwa ikigongwe n'Umukuru w'igihugu Mikaheli Micombero.

Imbabazi zagiriwe Abatutsi b'abanyaruguru mu 1971; Abahutu bo mu 1969 canke bo mu 1965 bagirizwa icaha kimwe n'abo Batutsi bobo baraciriwe imanza, baca bagandagurwa ubwo nyene.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Umugwi CVR umaze kwihweza ivyabaye mu 1971 waciye uvyita mu gifaransa uku gukurikira:

**DE TOUT CE QUI PRECEDE, EN CONSIDERANT LES PERIPETIES DE CE DOUBLE PROCES DE 1971 ET LES MESURES DE CLEMENCE PRISES PAR LE PRESIDENT MICHEL MICOMBERO, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DECLARE SOLENNELLEMENT QUE LES FAITS COMMIS EN 1971 CONTRE LES PRESUMES PUTSCHISTES SONT CONSTITUTIFS DES VIOLATIONS SUIVANTES : VIOLATION DU DROIT A LA LIBERTE ; ARRESTATIONS ET DETENTIONS ARBITRAIRES ; IMPUTATIONS DOMMAGEABLES ; TORTURES ; TRAITEMENTS INHUMAINS ET DEGRADANTS ; DENONCIATIONS CALOMNIEUSES ; INJURES ET VIOLATIONS DES REGLES DE PROCEDURES POUR CERTAINS CONDAMNES.**

**LE DOUBLE PROCES CONTRE LES PRESUMES PUTSCHISTES DE 1971 A PAR AILLEURS RENFORCE LE FOSSE ENTRE LES COMPOSANTES SOCIALES DU BURUNDI A SAVOIR LES BAHUTU ET LES BATUTSI D'UNE PART ET D'UNE AUTRE PART, ENTRE LES BATUTSI BANYARUGURU ET LES BAHIMA. A PARTIR DE CE PROCES D'UNE ALLURE POLITIQUE DANGEREUSE POUR LA NATION, LA JUSTICE BURUNDAISE A ETE MANIPULEE ET VUE DIFFEREMMENT PAR LES DIFFERENTS CITOYENS BURUNDAIS.**

**LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION CONSIDERE EN OUTRE QUE LES DIFFERENTS PROCES ANTERIEURS A 1972 QUI ONT FAUCHE DE NOMBREUX CADRES CIVILS, POLITIQUES ET MILITAIRES DU GROUPE ETHNIQUE BAHUTU ET LE PROCES CONTRE LES PRESUMES PUTSCHISTES BATUTSI BANYARUGURU DE 1971 QUI A CULMINE DANS LES MESURES DE GRACE ONT FAIT LE LIT AUX FUTURES VIOLATIONS GRAVES ET MASSIVES DES DROITS DE L'HOMME QU'A CONNUES LE BURUNDI DONT EN PARTICULIER CELLES DE 1972-1973.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

85. Kuva mu mwaka w'2020, umugwi CVR waragerageje kurondera ukuri k'urupfu rw'uwahoze ari Umwami Ntare wa Gatanu yakuwe ku Ngoma na Capitaine Mikaheli Micombero mu mwaka w'1966.

86. Amtohoza umugwi CVR umaze gukora yashitse kuri ibi bikurikira :

- Ica mbere : Ntare wa Gatanu yahenzwe na Mikaheli Micombero ngo akure Se (Umwami Mwambutsa Bangiricenge) yongere afute n'Ibwirizwa Nshingiro muri Mukakaro mu 1966 ;
- Ica kabiri : Ntibwakeye na kabiri, amaze kubikora, Capitaine Mikaheli Micombero nawe yaciye amutembagaza aca anafuta intwaro ya cami mu Burundi yari imaze imyaka 400 ;
- Ica gatatu : Umwami Mwambutsa Bangiricenge yaciye aguma aberabera inyuma y'Uburundi bwamwibarutse ;
- Ica gatanu : Capitaine Mikaheli Micombero ntiyashizwe ; yaciye aja inama na Idi Amini Dada, umukuru w'igihugu ca Uganda kugira ngo batahukane hakoze ububeshi bwinshi Ntare wa V. Hari ku wa 30 Ntwarante mu 1972 ;
- Ica gatandatu : Ntare wa V yapfuye guhonyoza ikirenge mu Burundi, imyiyerekano yo kumutyoza n'amajambo y'intangamarara kw'iradiyo y'igihugu bica biratangura : « Ngo yashaka gutera Uburundi afadikanije n'abacangero ». Karoli Ndizeye yaciye ajanwa ubutaragamye gupfungirwa ic'amaso mu gikoni c'icahoze ari ikirimba ca Se Mwambutsa i Gitega ;
- Ica indwi : Kuwa 29 Ndamukiza 1972 akurwa muri ca gikoni, ajanwa kwicirwa mw'ikambi Commando y'i Gitega yatwarwa na Commandant Sinduhije Jérôme. Karoli Ndizeye yarashwe n'icegera c'umukuru w'iyo kambi, Capitaine Ntabiraho Onesphore batazira Rwabisazi ;
- Ica umunani : Bukeye Reta y'Uburundi ica itangaza ko Ndizeye Karoli yapfiriye mu gitero yari arongoye ;
- Ica cenda : Amaze kuraswa, uwahoze ari umwami Ntare wa V bamushize mu nkorofani, bamuraza mu bubiko bw'ibirwanisho mw'ikambi Compagnie Commando i Gitega aho yakuwe aja gutabwa mu kinogo rusangi;
- Ica cumi: Umugwi CVR umaze kwimba ibinogo birenga 40 warangiwe n'abiyemerera ko aribo bagiye kumuta mu kinogo i

REPUBLIQUE DU BURUNDI CVR Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Tankoma muri Komine ya Gitega ariko ntitwigeze turonka ibisigarira vyiwe;

Inyuma y'ayo matohoza kw'igandagurwa rya Ntare wa V yabaye Umwami wa nyuma w'Uburundi, umugwi CVR wise ivyo vyaha izina rikurikira :

**A PARTIR DES FAITS CI-HAUT CITES ET DES ENQUETES ET AUDITIONS MENEES, LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION DECLARE SOLENNELLEMENT QUE LES COMMANDITAIRES ET LES EXECUTANTS DU CRIME D'ASSASSINAT DU ROI NTARE V SE SONT RENDUS COUPABLES DES CRIMES D'ENLEVEMENT, DE TORTURE, D'ASSASSINAT, DE TRAITEMENTS INHUMAINS ET DEGRADANTS, D'EXECUTION SOMMAIRE ET EXTRA-JUDICIAIRE ET DE MUTILATION DE CADAVRE.**

**CES CRIMES CI-HAUT ENUMERES CONTRE LE ROI NTARE V, DANS LES CIRCONSTANCES DE TEMPS ET DE LIEU, SE SITUENT DANS LE CADRE DES VIOLATIONS MASSIVES DES DROITS DE L'HOMME QUE LA CVR A DEJA QUALIFIEES DE GENOCIDE CONTRE LES BAHUTU DU BURUNDI ; DE CRIMES CONTRE L'HUMANITE COMMIS CONTRE LES BAHUTU A TRAVERS TOUT LE PAYS, DE CRIMES CONTRE L'HUMANITE COMMIS CONTRE LES BATUTSI ET CONTRE LES BATWA CAR L'EXECUTION DE NTARE V RENTRE DANS LE DECLENCHEMENT DU GENOCIDE DE 1972-1973.**

**EN CONCLUSION, CE CRIME COMMIS CONTRE LE ROI NTARE V EST QUALIFIE PAR LA CVR DE CRIME CONTRE L'HUMANITE.**

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

87. Ubutumwa umugwi CVR ushinzwe ni burebure kandi burarememereye. Gutohoza ukuri ku bwicanyi bwanyegejwe n'ababikoze si igikorwa coroshe. Ukuri kurankwa kandi kuraremera abantu benshi ; ariko ni yo nzira yonyene yo kubohora igihugu. Ibinyoma vyabaye vyinshi mu Burundi. Iyo ikinyoma kimaze imyaka 50 canke

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

irenga, hari ubwo Abarundi benshi n'abanyamahanga bagifata nk'ukuri kwiganje !

88. Umugwi CVR urasubiye gusaba Abarundi ngo bugurure imitima ; kugira twese twinjire mu nzira yo gushigikira ababuze batagaraguye ; tubashe kurira, kugandara, kuganduka no kubaho. Ababuze batagandaye harageze ko Abarundi twese tubashigikira bakagandara kandi bakaganduka ! Twese hamwe, dufatanye mu nda ; Abahutu bashigikire Abatutsi n'Abatwa babuze ; Abatutsi n'Abatwa nabo nyene bashigikire Abahutu babuze. Niyo nzira nziza yo gutangura urugendo rwo gusabana ikigongwe no kunywana mu gihugu cose.

89. Umugwi CVR urasavye kandi Abarundi bose kutitiranya umwicanyi n'umwana wiwe : umwicanyi niyitwe umwicanyi kuko bigaragara ko yishe ; intungane imuvukako canke incuti ziwe ntizizire ibibi batakoze.

Niho umugambi wo gusaba no gutanga ikigongwe wokoroha ; niho urugendo rwo kunywanisha Abarundi rwohezagirwa n'Imana. Umugwi CVR urasavye kandi imiryango yabuze kwihangana no kurekuriranira ; umugwi CVR urasavye abakoze ibibi bakiriho kwicisha bugufi mu mvugo no mu kibano ; kugira ntibakore mu nkovu imiryango yatuntuye ! Umugwi CVR urasavye abakoze ubwicanyi bakiriho kwitegura gusaba ikigongwe Abarundi n'imiryango yahekuwe ababo n'ivyabo.

90. Gusaba ikigongwe imiryango yabuze ni uburyo bwiza bwo gucira inzira abo uwishe asize kw'isi. Ibi vyose umugwi CVR usaba birashoboka : bisaba umwanya no kwicisha bugufi. Birasaba gusenga Imana ; mbere n'umuryango ugafasha ! Kwemera ikibi c'ubwicanyi ntivyoroshe ; twese turabizi !

*Banyeniteka mwese,*
*Banyakubahwa mwese mwatowe n'abanyagihugu,*

91. Mu kurangiza rino jambo, hari ivyiyumviro/Recommandations umugwi CVR uhora ushikiriza inzego zirongoye igihugu cane cane Reta y'Uburundi, Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka. Uyu musi uri hejuru, ku bwicanyi butandukanye n'ugutosekaza agateka ka zina muntu umugwi wakoreyeko, kuva mu 1885 gushika mu 1973,

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

twashimye gushikiriza inzego ivyiyumviro canke Recommandations zikurikira :

a) Ubwa mbere : Ku vyerekeye ibibi vyakozwe n'Abadagi n'Ababiligi mu Burundi.

Umugwi CVR urasaba Reta y'Uburundi kuganira kahise Uburundi, Ubudagi n'Ububiligi ivyo bihugu uko ari bitatu bisangiye.

Umugwi CVR urasaba ibihugu vy'Ubudagi n'Ububiligi kwemera no kwemanga inkurikizi mbi zose zavyawe n'amategeko yabo yacinyije igihugu c'Uburundi akongera akabiba amacakubiri.

Ikindi umugwi CVR usaba ni amashirahamwe atandukanye nk'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika, Ishirahamwe mpuzamakungu nka ONU ni ugushigikira Uburundi muri uru rugamba rwo kumenya ukuri no kumva ko ivyo umugwi CVR umaze gushikako bobigira ivyabo.

b) Ubwa kabiri : Ku vyerekeye igandagurwa ry'Umushikirangoma wa mbere Rudoviko Rwagasore kw'igenekerezo rya 13 Gitugutu 1961.

Umugwi CVR usaba Reta kuganira na Reta y'Ububiligi kugira iterere mu gushumbusha igihugu n'umuryango wa Rwagasore babuze intwari idasanzwe mu buzima bw'igihugu.
Umugwi CVR usaba kandi Reta y'ingoma y'Ububiligi kwemera no kwemanga ko ico gihugu cagize uruhara mw'igandagurwa rw'umuganwa Rudoviko Rwagasore.

c) Ubwa gatatu : Ku vyerekeye Abahutu b'Abasendikaliste n'abarongoye umugambwe PP biciwe mu Kamenge igenekerezo rya 14 Nzero 1962.

Umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi kubakira izo nzirakarengane icibutso kiriko amazina y'abagandaguwe bose. Ico cibutso cokubakwa mu Kamenge vyoba vyiza cane.

d) Ubwa kane : Ku vyerekeye igandagurwa rya Nyakubahwa Musenyeri Gaburiyeri Gihimbare kw'igenekerezo rya 13 Kigarama 1964.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi kubaka icibutso aho yagandaguriwe mu Ntara ya Kirundo, muri Komine Busoni.
Umugwi CVR urasaba kandi ko hokubakwa icibutso co kumwibuka mw'ikambi ya Muha (Camp Muha yitwa kera Camp Baudoin) aho yakoreye kuva mu 1962 gushika mu 1964 imbere yuko bamugandagura.

Uyu mugwi CVR urasaba Ekleziya katolika kwiyumvira ibimenyetso canke inyubakwa zokwitirigwa Musenyeri Gaburiyeli Gihimbare haba ku mutumba Bihororo muri Komine Giheta yavukako no ku Mushasha i Gitega ahari icicaro ca Diyoseze Nkuru Katolika ya Gitega.

e) Ubwa gatanu : Ku vyerekeye igandagurwa ry'Umushikirangoma wa mbere Petero Ngendandumwe kw'igenekerezo rya 15 Nzero 1965.

Umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi kubakira icibutso co kwibuka Petero Ngendandumwe mu kibanza yagandaguriwemwo ; no kwemeza ko Petero Ngendandumwe yagandaguwe n'abaserukira Reta y'Uburundi ico gihe.

Ikindi umugwi CVR usaba Reta n'Abarundi ni uko Petero Ngendandumwe yo kwibukwa biboneka kw'igenekerezo rya 15 Nzero buri mwaka mu gihugu cose.

f) Ubwa gatandatu : Ku vyerekeye ubwicanyi budasanzwe bwahitanye abasirikare, abasivile n'abanyeporitike b'Abahutu muri gitugutu mu 1965.

Umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi ko woshira ahabona urutonde rw'Abarundi bari bafise amabanga akomeye mu gihugu bagize uruhara rudasanzwe mu kugandagura abandi Barundi.
Ikindi umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi ni ukwoza inzirakarengane zose ziswe abamenja n'abari barongoye igihugu ico gihe.

Mu kwibuka Abahutu n'Abatutsi bagandaguwe muri gitugutu 1965 canecane i Bujumbura no mu Ntara ya Muramvya (i Busangana n'i Bugarama), umugwi CVR urongera ugasaba Reta kwubaka icibutso co kwibuka izo nzirakarengane. Ivyo vyibutso bitobito

Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

umugwi CVR ushira imbere ntihagire umuntu n'umwe abona ko bizohava biva vyinshi mu gihugu kuko ni vyo bizofasha kwigisha Abarundi bose kahise k'igihugu, abariho uyu musi n'abazovuka.

g) Ubw'indwi : Ku vyerekeye igandagurwa n'ikumirwa ry'Abaganwa mu buzima bw'igihugu.

   Umugwi CVR urasaba Reta kwiga inzira zibereye zo gusubiza agateka Abaganwa bakumiriwe canke bagandaguwe ku giti cabo canke nk'umugwi ; aba ni nk'umuganwa Rudoviko Rwagasore, Biha Emmanuel, Karoli Ndizeye, François Gikoro n'abandi umugwi CVR umaze kumenya amazina bari muri kino cegeranyo dushikirije uno musi.

h) Ubw'umunani : Ku vyerekeye Abahutu bagandaguwe mu 1969 babeshewe ko bagomba gutembagaza intwaro ya Perezida Mikaheli Micombero.
   Umugwi CVR urasaba Reta kwubaka icibutso c'Abarundi bagandaguwe bazira ubusa n'intwaro ya Perezida Mikaheli Micombero mu 1969. Abo basirikare bagandaguwe barakwiye kwibukwa nk'Abarundi bazize amacakubiri y'ubwoko canke intara.

i) Ubw'icenda : Ku vyerekeye imanza zabaye mu 1971 zahatswe kwaka ubuzima Abatutsi Banyaruguru bagirizwa ko bashatse guhirika ubutegetsi bwa Perezida Mikaheli Micombero.

   Umugwi CVR urasaba Reta y'Uburundi ko yoha iteka umucamanza yamaze gushengera, Leonardo Nduwayo n'abo bakorana banse kurenganya Abarundi ngo bashatse gutembagaza inzego z'igihugu.

   Ikindi umugwi CVR usaba Reta ni ugusaba mu misi iri mbere ibihugu vyahaye indaro Arutemoni Simbananiye n'abandi Barundi bari bafise amabanga ahambaye ko bobarungika mu Burundi babazwe ivyerekeye ubwicanyi bwabaye mu gihugu ; ugasanga amazina nka Arutemoni Simbananiye canke Nicayenzi Zénon agaruka henshi. Uko kubabaza no kubumviriza kwofasha Abarundi kuronka umuco udasanzwe ku bibi vyazingamitse igihugu muri kahise.

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

j) Ubw'icumi ari bwo bwa nyuma: Ku vyerekeye igandagurwa ry'Uwahoze ari Umwami Ntare wa Gatanu mu 1972.

Umugwi CVR usaba Reta y'Uburundi kwibuka no guha iteka uwabaye Umwami w'Uburundi Ntare wa Gatanu.
Urubanza rwabaye igenekerezo rya 28 Ndamukiza 2023 rwafuse urubanza RMP 48.229/OC rwo kw'igenekerezo rya 6 Rusama 1972 rwata mu binogo rusangi, mu nzuzi no mu mashamba ikivunga isinzi ry'Abahutu n'uwahoze ari umwami Ntare wa Gatanu, urwo rubanza rwabaye ingingo nziza kandi ihambaye ku miryango yabuze ; ababo bose bakitwa abamenja. Ntare wa Gatanu mu kugandagurwa yagirizwa ko yazanye abacangero gutembagaza intwaro ya Mikaheli Micombero. Abatutsi n'Abatwa bagandaguwe mu 1972 bose bakwiye kwibukwa kuko bazize ubutegetsi bubi bwateguye bwongera bushira mu ngiro umugambi wo gutikiza Abarundi.

- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka,*
- *Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa mugize ibiro vy'Inama Nshingamateka,*
- *Banyakubahwa mugize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka,*
- *Banyakubahwa Bashingamateka,*
- *Banyakubahwa Bakenguzamateka,*

92. Nk'uko mubibona kandi mubikurikirana, umugwi CVR uracari ku kivi, kugira uze ubashe gushira ahabona intonde z'abantu atawuzi irengero ryabo, abagandaguwe, abakorewe amabi, n'ivyabona vyemeye ko amazina yabo amenyekana nk'uko ibwirizwa ribidusaba. Ico gikorwa citwa Rusansuma kiriko kiraba mu makomine yose y'igihugu. Kandi abanyagihugu baratwitaba : abahutu, abatutsi n'abatwa. Umugwi CVR wasanze bari banyotewe gutanga inkuru zerekeye ababo bagandaguwe ataco bazira.

93. Umugwi CVR uracatohoza kandi ku bantu babaye inkingi z'Ubuntu, Abarundi n'abanyamahanga bitanze bimwe biboneka mu gukingira ubuzima bw'abantu mu bihe vy'ubwicanyi igihugu cacu caciyemwo.

94. Ibindi bikorwa umugwi CVR urimwo, nk'uko ubisabwa n'ibwirizwa, ni ukubandanya gutohoza no gutegura indinganizo zerekeye ugushumbusha abantu bahuye n'ivyago, indinganizo z'ibikorwa bishira imbere ukugiranira ikigongwe n'ukunywana.

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

95. Umugwi CVR waratanguye kwiyumvira neza kugira uze ushikirize inzego zirongoye igihugu, igenekerezo ry'umusi Abarundi bogenera kwibuka, ku rwego rw'igihugu, abahitanywe n'ububisha bwakozwe muri kahise k'igihugu c'Uburundi.

96. Nk'uko tubisabwa n'ibwirizwa rigenga umugwi CVR, turabandanya kandi gutohoza kugira tuze dushikirize ivyiyumviro bitomoye vyofatirwako kuhokubakwa ivyibutso bifise intumbero y'ukunywanisha n'ukwibuka abagandaguwe, ku rwego rw'igihugu, urw'intara no ku rwego rw'intango.

97. Umugwi CVR ntiwibagiye integuro y'ishirwaho ry'ibindi bimenyetso bifise intumbero yo kwibuka no kunywanisha Abarundi.Kandi ivyo vyibutso n'ibindi bimenyetso vyibutsa akahise ntitubitinye ; kuko birigisha akahise, bikigisha kirazira !

*Nyeniteka Umukuru w'Inama Shingamateka,*
*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka,*

98. Umugwi CVR uriyemeje kandi kubandanya amatohoza ku yandi mabi yashikiye igihugu : urwimo rwahekuye Uburundi mu vyo Abarundi bise ubicanyi bwa « Ntega na Marangara » mu 1988 ; ibitero vyitiriwe umuhari Palipehutu mu 1991 ; igandagurwa ryaNyenicubahiro Prezida Melchior Ndadaye muri gitugutu 1993 ; intambara yo kugaruza umuheto demokarasi be n'ivyaha vyakozwe hagati y'Umwaka wa 1994 na 2008. Aha rero umugwi CVR washaka kubwira Abarundi ibi bikurikira :

a) Ica mbere : Amatohoza yerekeye ubwicanyi bwabaye muri kahise asaba ubwitonzi n'ukwimbika igikorwa co kurondera ukuri. Uburundi bwarakomeretse cane mu myaka ya 1960 gushika 1973. Hari Abarundi bamwe biyumvira ko CVR yatevye kuri iyo myaka yazingamitse Uburundi. Oya, CVR ntihatevye ! Umugwi CVR uriko urapfukura igisebe canyegejwe kandi kitavuwe ! Ivyo umugwi CVR umaze kwereka Abarundi biravuga kandi birivugira !

b) Ubwa kabiri : Mu mwaka wa 2024, umugwi CVR uzotangura gutohoza ku bwicanyi bwabaye mu 1988, ivyo Abarundi bita « ubwicanyi bwa Ntega na Marangara ». Mu mwaka wa 2025, amatohoza kuri « Ntega na Marangara » atagoranye, umugwi CVR wiyemeje gutangura amatohoza yerekeye ubwicanyi bwabaye mu 1991 hamwe n'amakuba yose yakurikiye igandagurwa rya Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu Ndadaye Melchior muri gitugutu 1993. Ayo matohoza yose asaba ubwitonzi ; kumviriza ababibonye, ababikoze bakiriho n'ababikorewe. Ayo matohoza

adasanzwe asaba kwiga no gusesangura amabi yose yabaye mu bihe vy'ingwano yaciye ikurikira igandagurwa rya Perezida Melikiyori Ndadaye.

Nk'uko namwe muvyibonera, amakuba yahekuye igihugu ni menshi. Ico twosaba Abarundi bose ni ukumva kandi bakamenya ko ukuri ari ko kuzokiza Uburundi. Ikindi twosaba Abarundi ni ukumva kandi bakamenya ko abana b'abicanyi batohorwa na rimwe ivyo abavyeyi babo bakoze ; na kare abakora ayo marorerwa ntibabanza guhanuza abana babo canke abo bubakanye.

c) Ica gatatu arico ca nyuma Umugwi CVR wosaba Abarundi bose ni ukwihangana. Gutohoza ivyanyegejwe imyaka 60, 50 canke irenga ni akazi kadasanzwe ! Kwumva no kumenya ivyabaye ku muzo w'abazungu mu Burundi, kumenya neza ingene ivyago vyahekuye imiryango kuva mu 1960 gushika mu 1973 vyateguwe, ababiteguye, ababikoze n'ababikorewe, ni inzira nziza ifasha Abarundi kumenya kahise, ikongera igasambura ibinyoma vyakwiragijwe mu gihugu cacu no mu makungu.

99.Turangije dusubira gushimira Imana ; dushimira inzego zirongoye igihugu cacu c'Uburundi, cane cane Umukuru w'igihugu na Reta arongoye ; Abagize Inama Nshingametaka na Nkenguzamateka batwamye hafi ; abenegihugu batwizigiye bakaduha amakuru ; abarongoye intwaro, amashirahamwe, amashengero, abahinga bize kahise n'amategeko baterereye umugwi CVR ivyiyumviro bitomoye ; abagize umugwi CVR bitanze kugira umwimbu w'uyu musi uboneke ; tutibagiye abamenyeshamakuru badufashije kumenyekanisha ibikorwa vy'uyu mugwi.

100. Turangije dusaba Abarundi bose, cane cane abavyeyi ngo bigishe abana gukundana ; gukunda igihugu no gukunda Ukuri. Ntimubigishekwankana ; ntimubigishe ikinyoma kuko ikinyoma kirafise imisi kitarenza ! Ntimubigishe amacakubiri : yaba ay'imiryango, ay'amoko, ay'intara, ay'amadini canke ayandi.

101. Uno musi Umugwi CVR wagarutse ku butumwa n'imirimo ushinzwe ; werekanye ibikorwa umaze kurangura ; wavuze n'ivyo wimirije kurangura.

102. Umugwi CVR werekanye bimwe bitari bizwi ; hari ivyavuzwe ukundi kuko abari babizi canke babikozebabinyegeje igihugu. Hari n'ibindi indongozi z'igihugu canke abavyeyi batinye kubwira

abanyagihugu canke abana babo, kuko biteye ubwoba isoni n'agahinda !

Mwiboneye ingene igihugu cacu catwawe mu bubeshi bwinshi mu myaka ya 1960 na 1973 n'iyindi myaka yakurikiye.

Amatohoza Umugwi CVR umaze gushikako, yerekana ko inzego zari zirongoye igihugu muri iyo myaka ya 1960-1973, ari zo zagitaye mu manga.

103. Uburundi bwacu bwamye mw'izinguzingu ry'ubwicayi kubera amabi bwaciyemwo atigeze ahanwa n'ubutungane ! Ukuri ku mabi yazingamitse Uburundi ntikwagiye ahabona ngo abantu bakumenye. Ubu rero ko umuco w'ukuri uriko uraseruka, Umugwi CVR usaba Abarundi bose kugendera mu rukundo ; abakoreye nabi abandi babasabe ikigongwe ; abasabwe ikigongwe bagitange bivuye ku mutima ; maze abana b'Uburundi baze bakurire mu muvukano mwiza ; Uburundi ntibuze busubire kugwa mw'isanganya.

Kw'izina ry'abo dusangiye ubutumwa mu mugwi CVR nkaba ndabakengurukiye cane ko mwanteze yompi !

Imana ikingire Uburundi bwacu.

Murakoze!

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

---